www.kidworship.kr

# Ishengero Rya Mbere

- 19th story -



152Page

**Uwuvuga** Yesu azuka mu bapfuye inyuma y’imisi itatu abambwe. Inyuma y’imisi 40, aduzwa mw’ijuru. Abigishwa baca bakoranira mu nzu bariyugarana basengera hamwe. Mariya n’abandi bagore bakurikira Yesu nabo basengera hamwe nabo. Bose barasenga bubudahengeshanya. Inyuma y’imisi cumi haca haba umusi wa Pentekoti.



153Page

**Uwuvuga** Kuri uwo musi, abigishwa ba Yesu n’abamukurikira bakoranira muri ya nzu yugaye barasenga. Ubwo nyene baza bumva ijwi rimeze nk’umuyaga w’igihuhusi rivuye mw’ijuru wuzura ya nzu bari bicayemwo. Babona ibimeze nk’indimi z’umuriro zitandukanye zije kuri umwe umwe muri bo. Bose buzura Mpwemu Yera Yesu yari yarabemereye. Abigishwa n’abandi bakurikira Yesu batangura kuvuga mu ndimi nk’uko Mpwemu Yera yabibafashije.

**Ururimi rutandukanye 1** Arigatozoaimashita~Sumimasen~~

**Ururimi rutandukanye 1** Ego ses~~

**Ururimi rutandukanye 1** Data wa twese wo mw’ij uru~Urakoze~~

**Uwuvuga** Abumvise iryo jwi bose bavuga mu ndimi ziyobeye.

**Umuntu wa 1** Mbega bose si abanyagalilaya? None ko bose bariko bavuga mu ndimi zitandukanye?

**Umuntu wa 2** Bategerezwa kuba baborewe cane~



154Page

**Uwuvuga** Petero atangura kwigisha abantu ijambo ry’Imana.

**Petero** Yesu amaze kuduga mw’ijuru, mpwemu Yera yaje kudutahuza inyigisho za Yesu. Imana yarungitse Yesu kubakiza mwese.

**Uwuvuga** Abumvise Petero avuga baramubaza ibibazo.

**Ishengero rya mbere** None twokora iki kugira turokoke?

**Petero** Nimwihane mubatizwe mw’izina rya Yesu Kristo muharirwe ibicumuro vyanyu.

**Ishengero 2** Ivyo birakwiye? Hamwe twokwihana tukabatizwa, tuzorokoka?

**Petero** Ego, ni ukuri.



155Page



156Page



157Page

**Uwuvuga** Abumvise Petero baramusamararira. Abakiriye ubutumwa bwiwe barabatizwa. Uwo musi hihana abantu 3000. Abatumwa babandanya kwigisha ijambo ry'Imana kuva aho, kandi aho baja hose, abantu benshi barihana bakizera.

---

**Uwuvuga** Abatumwa ba Yesu n'abizeye bama bakoranira mu rusengero buri musi gusenga bagahimbaza Imana. Bagurisha ivyo batunze vyose kugira ngo babihe aboro. Bamaze kuzura Mpwemu Yera bose bayoboka inyigisho za Yesu, ubuvukanyi hamwe no gusenga. Abababona bose bakabatamarira. Bahimbaza abo batumwa n'abizeye kandi bagasengana na bo Imana. Buri musi, Uhoraho yagenda yongerako igitigiri c'abihana bagakizwa. Iryo ryari ishengero rya mbere